# 111: Har' izina rinnezereza

1. Har' izina rinnezereza,
Nireza kuriririmba,
Rirandyohera, ndarikunda,
Rirut' ayandi yose.

Ref: Nkunda Yesu wanje,
Nkunda Yesu wanje,
Nkunda Yesu wanje,
Yabanje kudukunda.

2. Rimenyesh' ingen' Umukiza
Yankunz' akanyitangira,
Rimbgir' ivy' amaraso yiwe,
Ingen' azondekuza.

3. Rimbgir' ivyo Data wa twese
Yanshinguriye mw ijuru,
N' iyo nogenda no mu mwiza
Ni ryo rimber' umuco.

4. Rimbarir' ingen' umutima
W Umukiza wanje Yesu
Wam' ubabarana na rwanje,
Ukampa kwihangana

Visit us at burundi.indirimbo.com